**Office Burundais des Recettes**

*"Je suis fier de contribuer à la construction du Burundi"*

**COMMISSARIAT GENERAL**

**N/Réf : 540/92/CG/01/5113/EM/2026**

# ITANGAZO KU BATANGAKORI BOSE

Ubuyobozi bukuru bw'ikigo kijejwe kwegeranya amakori n'amatagisi OBR aramenyesheje abatangakori bose, ko guhera kw'igenekerezo rya 4 Myandagaro 2026 hatangujwe urubuga rufasha mu kwiyandikisha no kuronswa inomero ndangamutangakori e-KORI rw'ikigo OBR.
Guhera kur'iryo genekerezo, ibikorwa vyose bijanye no kwiyandikisha ku mutangakori bizohora bibera ku buhinga ngurukana bumenyi biciye ku rubuga **e-KORI** ku muhora: https://ekori.obr.gov.bi

Ico gikorwa ni kimwe mu migambi y'ikigo OBR yo guteza imbere ibikorwa vyaco mu gushira ku gihe no gukoresha ubuhinga bwa none kugira ngo ibikorwa vy'abatangakori bitunganywe neza, bikorwe mu mwanya muto ntibasubire gufata ingendo no gutonda imirongo, ndetse dukomeze gukorera ku mugaragaro mu gutunganiriza abatangakori.

Ubu buhinga bushasha buraba cane cane abiyandikisha badaharanira inyungu hamwe n'abadandaza, abikorera ku giti cabo, amashirahamwe yigenga hamwe n'amashirahamwe y'amakoperative, bizokorwa hisunzwe intambwe zo kwiyandikisha zategekanijwe bivanye n'ico umwe wese akora ari nazo z'izi:

I. Kwiyandikisha kw'abadaharanira inyungu (Abikorera ku giti cabo canke amashirahamwe)

1. **Gusaba kwiyandikisha ku rubuga rwa e-KORI**:
   Uca urungika ibisabwa uciye ku rubuga **e-KORI**
2. **Guhabwa isango ryo kuza gutanga ibimenyetso ndangamuntu**:
   Uca uronka ubutumwa kuri imeyiri yawe bukubwira isango ryo kuza ku kigo OBR (Ibi biraba abikorera ku giti cabo gusa).
3. **Kuza gutanga ibimenyetso ndangamuntu vyawe** :
   Uca uza ku kigo OBR kw'isango wahawe bakagufata ibimenyetso vy'intoke hamwe n'ishusho yawe (Ifoto y'isura) mu ntumbero yo kurangiza ukwiyandikisha kwawe (Ibi biraba abikorera ku giti cabo gusa).
4. **Gusuzuma ivyatanzwe muri dosiye**: Abakozi b'ikigo OBR baca basuzuma y'uko ivyo watanze bikwiye.

5. **Kuronka uruhusha rwemeza ko vyatunganye canke guhakanirwa**
   - Iyo ivyo watanze vyemewe, uca uronswa uruhusha rwo gutangura ibikorwa vyawe nyezina, kuri imeyiri yawe.
   - Iyo dosiye yawe itakiriwe, uraronka ubutumwa kuri imeyiri bukubwira ikibuze kugira ukosore.

II. Kwiyandikisha nk'umudandaza (wikorera ku giti cawe canke ishirahamwe)

**1.Gusaba kwiyandikisha uciye ku rubuga e-KORI**:
Uca urungika ibisabwa bivanye n'ico ukora. urubuga e-KORI ruca rukurungika ku rubuga ***easybusiness.bi*** rwa ADB ugashiramwo ibisabwa na ADB kurya vyahora, ivyo watanze bica birungikwa muri OBR ku rubuga rwayo **e-KORI** biciye ku buhinga ngurukanabumenyi.

**2.Guhabwa isango ryo kuzirako gutanga ibimenyetso ndangamuntu** :
Uca uronka ubutumwa kuri imeyiri yawe bukubwira isango ryo kuza ku kigo OBR (Ibi biraba abikorera ku giti cabo gusa).

**3.Kuza gutanga ibimenyetso ndangamuntu vyawe** :
Uca uza kw'isango wahawe ku kigo OBR bakagufata ibimenyetso vy'intoke hamwe n'ishusho yawe (Ifoto y'isura) mu ntumbero yo guheraheza ukwiyandikisha kwawe.

**4.Gusuzuma ivyatanzwe muri dosiye** :
Abakozi b'ikigo OBR baca basuzuma y'uko ivyo watanze bikwiye.

**5.Kuronka uruhusha rwemeza ko vyatunganye canke guhakanirwa**
- Iyo watanze ibisabwa vyose bikwiye uca uronswa uruhusha rwo gutangura ibikorwa kuri imeyiri yawe
- Iyo dosiye yawe itakiriwe, uraronka ubutumwa kuri imeyiri bukubwira ikibuze kugira ubikosore.

III. Kwiyandikisha nk'umudandaza (Ku mashirahamwe y'amakoperative)

**1.Utanga dosiye yawe muri ANACOOP** :
Ugaca usaba kwiyandikisha kuri e-KORI inyuma yo gutanga impapuro zisabwa

**2.Gutanga ibisabwa ku rubuga rwa e-KORI :** uca winjiza ivyavuye muri ANACOOP kugira ngo ushobore kubandanya kwiyandikisha.

**3. Gusuzuma ivyatanzwe muri OBR :** Barasuzuma y'uko ivyo watanze bikwiye bagaca bavyemeza biciye mu buhinga bw'urubuga.

**4.Kuronka uruhusha rwemeza ko vyatunganye:** Iyo ibisabwa vyose bikwiye uca uronswa uruhusha rwo gutangura ibikorwa vyawe nyezina biciye kuri imeyiri yawe.

**Ivyo kwitwararika ku mashirahamwe y'amakoperative :**

Uwuserukira iyo koperative ategerezwa kubanza kwiyandikisha ku giti ciwe (Hamwe n'abo basangiye koperative baserukira abandi) **imbere** yo gutangura kwandikisha koperative yabo ngo itangure gukora urudandazwa.
Uwuserukira koperative ntashobora kwandikisha koperative mu gihe atararonka inomero ndangamutangakori (NIF).

**INGINGO MPEREKEZA**

Abantu bose boba barasavye kwiyandikisha biciye muri ADB canke baratanze ama dosiye yabo muri OBR imbere y'itariki 04 Myandagaro 2026, bazotumwako baze guheraheza ukwiyandikisha kwabo biciye mu buhinga bwari buhasanzwe. Bizoheza bitunganywe uko vyahora kugeza bihere hakoreshejwe ubuhinga bwari buhasanzwe.

Ikigo kijejwe kwegeranya amakori n'amatagisi OBR gisavye abatangakori bose gufata nkama izi ngingo kandi kiriyemeje kuzoguma gikurikirana abatangakori bose kugira bafashwe mu gihe cose bizoba bikenewe.

**Menya neza :** kwandikwa ngo muronswe inomero ndangamutangakori ni ku buntu. Ikigo OBR nticigera gisaba kurihwa kubera igikorwa babafashijemwo, ntibasaba ibiharuro kabanga canke ibijanye na banki haba ku butumwa bugufi bwa ngendanwa canke imeyiri.

Mufise ico mubaza, hamagara ku nomero itariha 500, canke mubisange ku mbuga hwaniro z'ikigo OBR.

**Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo rya 4/8/2026**

**KOMISERI MUKURU**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commissariat Général
B.P: 3465 BUJUMBURA II
OFFICE BURUNDAIS DES RECETTES

**Emmanuel MBONIHANKUYE**